# Rinda Umwana Wawe Umugera Ukomeye ufatira mu bihimba vyo Guhema (RSV)


**Nzero 2025**

Umugera ufatira mu bihimba vyo guhema (Respiratory syncytial virus:RSV) ni umugera usanzwe utera amahaha. Ushobora gutera akaga cane ku bana bato n'abasaza. Ni yo mpamvu nyamukuru ituma abana bato binjizwa ibitaro. Ikintu ciza, ni uko hari uburyo bubiri bwo gukingira abana RSV ikaze cane, kandi abana benshi bakeneye uburyo bumwe gusa: urucanco rwa RSV rutangwa mu gihe umuntu yibungenze canke urucanco rurwanya RSV, rwitwa nirsevimab, ruhabwa umwana. Umwana wawe aherutse kuvuka ashobora guhabwa urucanco rwa nirsevimab mu bitaro ahejeje kuvuka. Urwo rucanco rutanga **uburinzi ubwo nyene** ku ndwara ya RSV kandi **rumukingira nimiburiburi amezi atanu.**

Nimba ukeneye gufashwa mu kuronka canke gutahura aya makuru, andikira ahs.vdhimmunizationprogram@vermont.gov.

**Nirsevimab irakora neza ku rugero rwa 90% mu gukingira abana bato kujanwa mu bitaro bafise RSV ikaze cane.**

## Ukuri kuvya RSV



- Igihe ca RSV gitangura muri Automne (Nyakanga-Munyonyo) igakara cane murushana (Winter:Kigarama-Ruhuhuma).
- Uwo mugera ushobora gukwiragira iyo umuntu yawanduye akoroye canke yasamuye, iyo akoze canke aramukanije n'umuntu afise RSV, canke iyo akoze ku kintu canduye.
- Abantu benshi bakuze bafise RSV nta bimenyetso vyawo baba bafise. Ababise ibimenyetso akenshi bagira indwara isanzwe y'ibicurane.
- Abana bato cane bafise RSV hafi ya misi yose baragaragaza ibimenyetso. Ivyo ni nk'ugushavura, kugabanya gukubagana, kunywa canke kurya bike, no guhagarika impwemu (guhagarika guhema amasegonda arenga 10).
- RSV ishobora gutera indwara zikomeye ku bana b'inzoya n'abana bato nk'indwara yo mumahaha bita bronchitis (kuvyimba kw'inzira ntoyi z'impwemu ziri mu mahaha) canke umusonga (indwara y'amahaha).

## Umuti urwanya RSV (Nirsevimab)


**HealthVermont.gov/RSV**

**802-863-7200**

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

- Umuti urwanya RSV utangwa mu rukingo rumwe
- Ni Mwiza ku bana bato bari munsi y'amezi 8 batakingiwe n'urucanco rwa RSV ruhabwa abavyeyi mu gihe bibungenze. Uhabwa abana bato mu mezi ya Gitugutu gushika muri Ntwarante.
- Ingaruka mbi akenshi ziba zito cane kandi zihera ningoga.



VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH